Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:ndongozi.journal1939@gmail.com

Facebook : Journal ndongozi y'uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06



«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°848 1 Gitugutu 2025

# Umunsi mpuzamakungu ugira 99 wahariwe kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu

*Uko umwaka utashe, Nyenubweranda Papa arashikiriza abakristu bo kw'isi yose ijambo ku musi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa bwo gukwiza hose inkuru nziza ya Yezu Kristu .*

*Kuri iri genekerezo rya 19 Gitugutu 2025, ni umwaka ugira 99. Iryo jambo naryo rikaba rishimikiye ku civugo nyamukuru c'umwizero.*

***«Abamisiyonari b'ukwizigira mu bantu »***



Bavukanyi nkunda,

Ku musi Mpuzamakungu w'ukumenyesha Inkuru Nziza w'uwu mwaka wa Yubile y'imyaka 2025, aho iciyumviro nyamukuru ari ukwizigira (Soma 1 Bulle Spes non confundit n. 1), nahisemwo iki civugo « Abamisiyonari b'ukwizigira mu bantu ».

Ico civugo kiributsa umukristu wese na Ekleziya, umuryango w'ababatijwe, umuhamagaro shingiro wo kuba abatum-

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa, yaraye ahimbaje yubile y'umujumbu

Ku wa 20 Nyakanga 2025, wari umusi udasanzwe muri diyoseze nkuru ya Bujumbura, aho umwungere wayo Musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa yahimbaza yubile y'imyaka 25 yatiwe mw'ibanga ry'ubwepiskopi.

Ivyo birori vyabereye mu nkuka y'Imisa yahererejwe kuri Cathedral Regina Mundi isaha zine z'igitondo, bitewe iteka n'umukuru w'igihugu c'Uburundi arikumwe n'umutambukanyi wiwe hamwe n'izindi ndongozi zitandukanye zo mu gihugu.



Foto: Chanel HARINGANJI

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Impundu mu muryango w'abasaserdoti bisunga Visenti wa Pawulo Mweranda....6
o Ruyigi : Ihimbazwa ry'isabukuru y'ubutungane n'amahoro igira iya mirongo ibiri n'imwe....7
o Indwara y'umutima irashobora kuvurirwa mu Burundi....8
o Ingene amategeko atagekanya uburenganzira bw'umwana bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka akivuka....10

# Idominika ya 27 : *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Amosi : 8, 4-7*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Habakuki :

(*Intungane izotungwa n'ukugumya ibanga*)

Mbe Mukama, nzogutabaza gushika ryari utari bunyumvirize? Nzogusaba ngo unkure imidugararo utari bunkize ? Ni kuki ureka. Ni kuki ureka nkaguma mbona amakuba, ukishinga kwirabira ayo ngowe? Nsigaye mbona abasahura n'abarwana ; hose n'ugutukana, induru ntaho itavugwa.

Umukama yaranyishuye, avuga ati: «Andika ivyo wabonye mu kubonekerwa, uvyandike uvyimbika ku tubaho, kugira ngo uwubisoma abisome anyarutsa. Nkako, ni irindi bonekerwa ryerekeye igihe cagenywe riri hafi y'ugushika, kandi ntirizobesha. N'aho ryoteba, urarindira, kuko rizoranguka nta kabuza, ntirizosiba. Ehe, umutima w'umubisha urivyimvya muri we, kandi utagororotse, ariko intungane yo izobeshwaho n'ukwemera kwayo.

## Igisomwa ca kabiri: *2Timote 1, 6-8*

Ivyo dusoma mw'ikete rya kabiri Umutumwa Paulo yandikiye Timote :

(*Ntugire isoni mu gushingira intahe Inkuru nziza y'Umukama*)

Mwananje nkunda cane : Ndaguhanuye ngo ukabure ya ngabirano Imana yaguhaye aho nakwubikako ibiganza. Nkako Imana itaduhaye umutima upfana isoni n'ubwoba, ariko yaduhaye umutima w'ubutwari, w'urukundo n'ukwigumya. Ntugire isoni rero kubera intahe woshingira Umukama wacu cabure kubera jewe imbohe yiwe, ariko rinda hamwe nanje ya magorwa ubona kubera Inkuru nziza, uhagarikiwe n'ubukomezi bw'Imana. Kurikiza akarorero k'amajambo mazima wanyumviseko, ubigirane ukwemera n'urukundo rwa Kristu Yezu. Iyo mbitso nziza rero, urayizigama, ufashijwe na Mutima Mweranda avyagiye muri wewe.

## Inkuru nziza: Luka : 17,5– 10

**Alleluya, Alleluya.**

*- N'aho yari atunze, yezu Kristu yarigize umukene kubera mwebwe, kugira ubukene bwiwe bubatungishe.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka:

(*Ubukomezi bw'ukwemera*)



Umunsi umwe, Abatumwa barahava babwira Umukama bati: «Twongerereze ukwemera.» Yamara Umukama ababwira ati: «Iyo muba mwari mufise ukwemera kungana n'agatete k'isinapi, mwobwiye uyo mukere muti: "Niwirandure wibadike mu kiyaga", kandi wobagamburukiye.

Ni nde muri mwebwe yogira umukozi atuma kurima canke kuragira, yomubwira avuye kurima ati: "Nuze ubu nyene wicare ku meza"? Abura riho kumubwira ati: "Ntegurira ivyokurya, ukenyere, ungaburire gushika mpeze kurya no kunywa; hanyuma, nawe ubone kurya n'ukunywa". Mbega, yokengurukira uwo musuku kuko yakoze ivyo yatumwe? Ni uko namwe mumeze, nimwaheza gukora ivyo mwabwirijwe, muravuga muti: "Turi abasuku basanzwe, nta kindi twakoze atari ico twategerezwa gukora".»

# Bururi: Urugendo rweranda na Yubile y'imyaka 100 y'ubusaseredoti mu Burundi

Abasaseredoti ba Diyoseze ya Bururi bazindutse bagira urugendo rweranda bagana ku kirimba ca Diyoseze. Aho hari mu ntumbero yo guhimbaza yubile y'imyaka 100 iheze hatiwe abasaseredoti babiri b'abarundi. Hari ku wa mbere igenekerezo rya 15 Nyakanga. Kabaye n'akaryo keza ko guca mu muryango mweranda muri ya ntumbero ya Yubile y'imyaka 2025 ya Ekleziya.

**« Guca mu muryango mweranda, n'ukugendana na Yezu »**

Kuva ku gihe c'isaha zitatu z'igitondo, Musenyeri Niciteretse Salvatoro yakiranye urweze abasaseredoti biwe, baca babanza kuja kuzirikanira hamwe « akaranga k'umusaseredoti mu bihe vya none », imbere yo guhereza inkuka y'imisa yuguruwe n'imigirwa yo guca mu muryango Mweranda, igihe c'isaha zitandatu n'igice.

*Ibik. urup.3*

# Umunsi mpuzamakungu ugira 99 wahariwe kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu

*(Bitangurira ku rup. 1*

wa n'abubatsi b'ukwizigira, mu gukurikira Kristu. Ndabifurije igihe c'inema mu Mana Mudahemuka yasubiriye kutuvyara muri Kristu yazutse « Ku bw'ukwizera gukomeye» (Raba 1 Petero 1, 3-4). Ndipfuza kwibutsa ibintu bimwe bimwe bihambaye biranga umumisiyonari w'umukristu kugira ngo twemere kuyoborwa na Mutima w'Imana twongere turangwe n'akariro mu butumwa k'igihe gishasha co kumenyesha Inkuru Nziza y'Ekleziya, irungitswe gukabura ukwizigira mw'isi itwikiriwe n'ibitutu vy'umwijima. (Soma Lett. enc. Fratelli tutti, nn. 9-55)

**1.Mu makanda ya Kristu, Mizero yacu.**

Mu guhimbaza Yubile ya mbere isanzwe y'ikimpumbi ca gatatu, inyuma y'iy'umwaka w'2000, dukomeza guhanga amaso Kristu ari mu buzima bwacu kuko « uko yari ari ejo ni ko akiri n'ubu, kandi ni ko azokwama ari no mu myaka yose» (Abahebereyi 13, 8).

Mw'isinagoga y'i Nazareti yaramenyesheje iranguka ry'ivyanditswe kuri We. Yihishuye nk'uwarungitswe na Data kandi yasizwe na Mutima Mweranda kugira ashikirize Inkuru Nziza y'Ubwami bw'Imana n'«ukumenyesha umwaka w'ubuntu bw'Umukama» ku bantu bose (raba Luka 4,16-21).

Muri iyi minsi y'agatangaza kandi iguma iranguka gushika ku muhero w'isi, Kristu ni We rukiza ku bantu bose, cane cane abo bose ukwizigira kwuzuye bafise ari Imana.

Mu buzima bwiwe bwo kw'isi, yagenda « agira ineza aho aciye, akiza abantu bose ikibi na Sekibi » (raba Ibikorwa vy'Abatumwa 10, 38), asubiza umwizero w'a-bantu mu Mana cane cane abawukeneye gusumba abandi.

Bisubiye kandi, yarageragejwe muri vyose, uretse igicumuro, ndetse mbere araca mu bihe bigoye vyashobora kumushikana ku mwiheburo nko mu maganya y'i Getsemani no ku musalaba. Ariko Yezu yahereje vyose Imana Data, aragamburuka n'ukwizigira kwose, mu mugambi wiwe w'urukiza rw'abantu, umugambi w'amahoro wa kazoza kuzuye ukwizigira (raba Yeremiya 29, 11).

Ni uko rero, yahindutse Umumisiyonari w'Imana w'ukwizigira, akarorero gahebuje k'abantu mu bihe bitandukanye bagiye barashira imbere ubutumwa bahawe n'Imana, mbere no mu mageragezwa akomeye cane.

Abicishije ku bigishwa biwe barungitswe mu bantu bose kandi bahe-

*Ibik. urup.5*

# Bururi: Urugendo rweranda na Yubile y'imyaka 100 y'ubusaseredoti mu Burundi

*(Bitangurira ku rup. 2*

Ku bwa Musenyeri Niciteretse, guca mu muryango mweranda muri iki gihe ca Yubile, ni ikimenyetso co kunywana na Yezu-Kristu no kugendana nawe. «Jewe ndi irembo ry'intama. Uwunyinjiriyemwo azokira, azokwinjira ateko asohoke, aronke n'ubwatsi.» (Yohani10, 9)

Kwinjirira mw'irembo bisigura kandi kwinjira mw'ijambo ry'Imana ari ryo rishikana k'uguhinduka, ukava mu buja bw'igicumuro.Musenyeri ati : « Mu bwuzure bwa kera no muri bushasha, uguca mu muryango mweranda kiguma ari ikimenyetso co guhinduka mu kuva m'umwijima w'impengamiro mbi.»

Mu kwitsa ijambo ry'Imana ry'uyo musi, musenyeri Niciteretse Saluvatoro yashimikiye kuri iki ciyumviro: «Tugendere ibanga ryacu ry'ubusaseredoti tutaruha». Yabanje kubwira abari aho ico yubile isigura kubayihimbaza. « Imana yabwiye igihugu cayo ko « umwaka ugira uwa mirongo itanu bazowugira umwaka mweranda, bagatangaza umwidegemvyo mu gihugu kubakibamwo bose » (Bene Levi 25 ,10).

Ni agahimbare kuri Ekleziya y'Uburundi guhimbaza Yubile y'imyaka 100 igabanye abasaseredoti babiri b'imvukira, padiri Ngendagende Emile na Ntidendereza Patirisi, bompi bavuka i Muyaga. Musenyeri Niciteretse yibukije ko ibanga ry'ubusaseredoti ari urugendo rwo kurondera Imana, maze kugira uwuri murirwo atambuke atananirwa, ukuboko kw'Imana ni ntasubirizwa.

Yatumiriye abasaseredoti kugira umwizero mu rugendo rwabo. «Ni munezerwe n'ivyo mwizigiye, ni mwigumye bibagora, nimwizigitirire mu bisabisho » ((Roma 12,12). Abagendana umwizero mu Mana baratsinda kandi barashika kw'ihangiro.

Yarangije inyisho y'uyo musi atumirira n'abihebey'Imana barangurira ubutumwa muri Diyoseze Bururi kuzotunganya nabo urugendo rwo guca mu muryango mweranda w'isengero nkuru ya Diyoseze. Uwo musi waranzwe n'akanyamuneza ntangere aho abasaseredoti basozereye urubanza rwabazindukanye mu gusangira inzimano imbere yo gusubira mu maparuwase yabo.

***Mama Gaudence Nininahazwe, ajejwe kumeneyesha amakuru muri Diyoseze ya Bururi***

# Musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa, yaraye ahimbaje yubile y'umujumbu

*(Bitangurira ku rup.1*

Muri urwo rubanza kandi, hari haje uwuserukira Papa mu Burundi musenyeri Dieudonné Datonou, hari haje kandi Musenyeri Papias Musengamana, arongoye diyoseze ya Byumba, akaba yaje aserukira Inama y'Abepiskopi Gatorika bo mu Rwanda, abanyacubahiro batari bake, hamwe n'abakristu batari bake bari baje kwifatanya n'umwungere mwihimbazwa rya yubile yiwe.

Imbere y'uko Inkuka y'Imisa itangura, Musenyeri Gerevasi Banshimiyubusa, yabanje gushimira abantu bose bagize ico baterera haba mu buryo buboneka canke butaboneka kugira ashobore gushika kuri uwo musi mwiza Imana yamuhaye, anamenyesha igihugu c'Imana cose cari ngaho ko ahimbawe cane kubona bahevye ivyabo ariko bakaza kumushigikira kuri uwo musi ahimbaza yubile y'imyaka 25 Imana imuteye iteka ryo kuba Umwungere.

Papa Léo wa 14 abicishije kuwumuserukira hano mu Burundi, yarakeje Musenyeri Gervasi Banshimiyubusa kuri iyo yubile, mu kumumenyesha ko agomba kumukeza bivuye ku mutima ku bwira n'ubutwari yaranguranye ibanga ry'ubwungere mu ma diyoseze ya Muyinga, Ngozi na Bujumbura hamwe no mu nama y'Abepiskopi b'i Burundi.

Mu kumwifuriza yubile nziza, Papa Léo wa 14 yamushikirije umuhezagiro w'abatumwa.

Mu kwitsa Ijambo ry'Imana, yashimye gushingira Intahe Imana mu rukundo rwayo, kugira abaraho bose umwe wese mu butumwa ajejwe, asubize agatima mpembero kw'ibanga arimwo, abone urwo rukundo rw'imana rutigera ruvirira umuntu mu ntege nke ziwe.

Arongera aramenyesha ko akenguruka kubona iyo Mana itamuremeye ubusa kuko yari imufiseko umugambi mwiza wo kuyikorera nk'umutumwa wayo.

Inkuka y'Imisa imaze kurangira, mw'ijambo ryiwe, yaragaragaje ubukengurutsi bwiwe ashimira cane abakristu bose bari bishikiye muri ico kibanza, yongera abamenyesha ko ahimbawe cane no kubona bahevye ivyabo, bakaza kumushigikira kuri uwo musi udasanzwe.

Inyuma kurimbura icivugo ca diyoseze nkuru ya Bujumbura mu mwaka umwe cari kimaze ari co ngo: *«Dukomeze Ekleziya muryango, mu kugira ubumwe n'urukundo no gusangira neza ivyo Imana iduha»*, mu bijanye n'ubumwe bwacu no gusubiza hamwe, n'ishingwa ry'inzego z'ugufasha abantu kuvugana ukuri, ukurekuriranira no gusubiza hamwe zitashinzwe, avuga ko batarashika kw'ihangiro bihaye kuko bisaba ko bagenda gahoro gahoro narirya abo bantu bagize urwo rwego baba ari abantu bari mu kuri kandi ivy'umugambi wo gusubiza hamwe atari umugambi utamikwa ku nguvu. Ni ingendo umuntu asaba Imana, akayinjiramwo kuko abona ko itabohora abandi gusa, ariko nawe nyene imubohora. Nkako nyene, uwanka kurekurira abandi, niwe yibohera muri kahise kabi aguma abona muri kubu.

Uwugize Imana akakira ingabire yo kurekurira abandi, niwe aheza agaca avuka bushasha, agatambuka ashingurira mu nzira y'urukundo no gusangira n'abandi akanyamuneza ko kubohoka.

N'ubwo biruko, muri uwo mwaka hari ibitari bike vyaranguwe mu ntumbero yo gushira mu ngiro ico civugo, aho mu maparuwase atandukanye habayeho imirwi itandukanye iyaga ivyabaye mu magume babifashijwemwo n'abahinga, harabaho ukwibukira hamwe abahitanywe n'intambara.

Intahe zagiye ziratangwa, zarerekanye ko vyukuri abatari bake baruhutse ku mutima, ariko impinga iracari ndende.

Ni muri iyo ntumbero umwungere yasubiriye gutanga uwundi mwaka ku bakristu ba diyoseze arongoye, kugira ngo kabe akaryo ko kunoganza no gutera imbere muvyo bataronkeye akanya muri ico civugo.



Foto: Chanel HARINGANJI

Yaboneyeho gutera akamo abakristu ko muri uyu mwaka ukurikira, boshimikira cane kugusubiza hamwe kuko ugusangira, ubumwe n'urukundo vyarateye intambwe iboneka mu mwaka umwe ico civugo cari kimaze.

Umwungere yarangije ijambo ryiwe, amenyesha ko uyu mwaka dutanguye, awutanze kugira abakristu ba diyoseze nkuru ya Bujumbura babandanye binovora ico civugo, yaboneyeho gusaba ashimitse abasaserdoti, abihebeyimana n'abalayike bari imbere y'abandi kwibanda cane ku nkingi ya 4 ariyo y'amahoro n'ugusubiza hamwe kuko hagiye guhanahanwa inyigisho zo gusubiza hamwe n'ukurekuriranira babifashijwemwo n'abafise ubuhinga runtu bwo gutenga ibikomere vyatewe na kahise.

Hazotangwa akaryo ku basangiye ikibano kugira bicarane bakavugane ivyabaye n'ivyo barimwo bibaremereye



Foto: Chanel HARINGANJI

**Chanel HARINGANJI**

# Umunsi mpuzamakungu ugira 99 wahariwe kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu

(Bitangurira ku rup.3

rekejwe na We mu buryo bwagatangaza, Umukama Yezu abandanya igikorwa c'ubutumwa bwiwe bw'ukwizigira mu bantu.

Ariyegereza kandi umuntu wese akenye, ababaye, yihebuye kandi yafutanijwe n'ikibi kugira asuke «ku bikomere vyiwe amavuta y'uruhoza n'umuvinyu w'ukwizigira» (Préface "Jésus le bon Samaritain).

Mu kugamburukira Umukama akaba n'Umwigisha mu kwitanga, Ekleziya, umuryango w'abigishwa-batumwa ba Kristu, ibandanya ubwo butumwa, itanga ubuzima bwiwe ku bantu bose.

Mu mwitwarariko wo guhangana ku ruhande rumwe, n'ugutotezwa, n'amageragezwa, n'ingorane, no ku rundi ruhande n'utunenge twabo bwite, no kugwa kubera intege nke z'umw'umwe mu bana bayo, Ekleziya iguma ikomezwa n'urukundo rwa Kristu mu gutera imbere mu bunywanyi ifitaniye na We muri iyo nzira y'ubumisiyonari no kwitwararika nka We, kumwe na We, akamo k'abantu n'amaborogo y'ikiremwa cose mu kurindira gushikira ubuzima bwuzuye.

Iyo ni yo Ekleziya Umukama ahamagara igihe cose no mu bihe vyose guca mu makanda yiwe: « Atari Ekleziya iguma hahandi mugabo ari Ekleziya imenyesha Inkuru Nziza, ikagumana



n'Umukama mu mayira y'isi» (*Homélie de la Messe de clôture de l'Assemblée générale ordinaire du Synode des évêques, 27 octobre 2024*).

Dutegere rero natwe ko dukaburiwe gufata inzira, duca mu makanda y'Umukama Yezu Kristu kugira tubere bose, kumwe na We, no muri We, ibimenyetso n'intumwa z'ukwizigira, hose no mu bihe vyose Umukama aduhaye kubamwo. Ese ababatijwe bose, abigishwa-batumwa ba Kristu, boshikana umuco w'ukwizigira kwiwe mu mpande zose z'isi!

**2. Abakristu, bashikiriza kandi bubaka ukwizigira mu bantu.**

Mu gukurikira Kristu Umukama, abakristu bahamagariwe gushikiriza Inkuru Nziza mu gusangira ubuzima n'abo bahura no kuba gurtyo abashikiriza n'abubatsi b'ukwizigira. Kukaba nkako «akanyamuneza n'umwizero, umubabaro n'amaganya vy'abantu b'iki gihe, cane cane abakene n'ababaye bose, navyo nyene ni akanyamuneza n'umwizero, a-maganya n'umubabaro vy'abigishwa ba Kristu, kandi nta kintu na kimwe vy'ukuri cerekeye umuntu kidafise ico gikabura mu mitima yabo» (*Soma Gaudium et spes, n. 1*)

Iyo ngingo ihambaye y'Inama yabereye i Vatikano ubugira kabiri, igaragaza ingene imibano rukristu ibaho igihe abari muri yo boba abasangirarugendo n'abavukanyi babo kw'isi yose.

Nkubitiza agatima ku buryo budasanzwe kuri mwebwe bamisiyonari bo mu bindi bihugu, mu gukurikira umuhamagaro w'Imana, mwagiye mu bindi bihugu kumenyesha urukundo rw'Imana muri Kristu.

Ndabashimiye n'umutima wanje wose! Ubuzima bwanyu ni inyishu irangutse mu butumwa bwa Kristu yazutse, yarungitse abatumwa kugenda kugira abigishwa abantu bo mu makungu yose (raba Matayo 28, 18-20).

Gurtyo, muributsa umuhamagaro w'ababatijwe bose wo kuba mu bihugu, ku bw'ubukomezi bwa Mutima Mweranda no kubw'ukwitanga kwanyu kwa misi yose, abamisiyonari b'ukwizigira gukomeye duhabwa n'Umukama Yezu.

Iyo uwo mwizero udushikana hararengeye na kure aho ivyo iyi si ihera idushikana kubona, ukadushikana kandi ukatwugururira ivyiza vy'Imana duhwihwisha muri iki gihe.

Nka ko, nk'uko umweranda Paulo wa gatandatu yavyibukije, urukiza muri Kristu, Ekleziya ishikiriza abantu bose nk'ingabirano y'ikigongwe c'Imana, ntirugarukira gusa « ku vy'umubiri canke umutima ukenera [...] bigaragarira rwose mu vyipfuzo, mu vyo abantu biteze,...... mu kurwanira ivy'isi kwa none, ariko urukiza rurabirengeye na kure kuko rurangukira mu Mana yo nsa Yamaho : urukiza rurengeye twizigiye, rufise intango muri ubu buzima, ariko ruzoranguka bimwe bishemeye mu buzima budahera.» (*Soma Exhort. ap. Evangelii nuntiandi, n. 27* ) .

***Biracaza***

*Vyahinduwe mu Kirundi n'Ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi. (Œuvres Pontificales missionnaires /Burundi)*

# Impundu mu muryango w'abasaserdoti bisunga Visenti wa Pawulo Mweranda.

Umuryango w'abasaserdoti bisunga Visenti wa Pawulo Mweranda, waraye wungutse umusaserdoti agira 3 w'umurundi mu myaka 26 irangiye ushitse muri paruwase Ruzo muri Ekleziya y'Uburundi.



Foto: Chanel HARINGANJI

Ibirori nyezina vy'uwo musi udasanzwe, vyahimbarijwe muri paruwase yitiriwe Visenti wa Pawulo Mweranda ya Mugogo muri diyoseze Ngozi ku wa 27 Nyakanga 2025, aho kuri uwo musi bari baramukanye imanza 4 arizo :

- Uguhimbaza imyaka 400 uwo muryango ubayeho kw'isi,

- Guhimbaza umuvunyi wa paruwase Mugogo Visenti wa Pawulo,

- Guhimbaza imyaka 15 irangiye paruwase Mugogo ivutse,

- Iyatirwa mw'ibanga ry'ubusaserdoti.

Ihimbazwa ry'izo manza zose uko ari 4, ryabereye mu nkuka y'Imisa y'isaha zine z'igitondo yahererejwe muri iyo paruwase nyene ya Mugogo irongowe n'umwungere wa diyoseze Ngozi, Musenyeri Georges Bizimana; aho mu kwitsa Ijambo ry'Imana yibukije abakristu bari aho na cane cane abanyamugogo ko kubona bafise abasaserdoti babegereye,



Foto: Chanel HARINGANJI

bokwama bakenguruka kuko umusaserdoti muri Ekleziya y'Imana, ari ingabire idasanzwe.

Ivyo biri uko mu gihe imbere y'uko baronka abasaserdoti, baruhishwa n'urugendo rurerure bagira bagiye gusengera kuri paruwase yayibarutse ya Rwisabi, ivyo bikaba vyatumye abakristu batari bake babiheba, abandi nabo bazingamikirwa mu buhunyi.

Aributsa kandi ko mu gushinga ukaristiya, Yezu yamanyuye Umukate. N'umusaserdoti mu gushereza inkuka, aramanyura Umukate, yibuka ko nawe nyene yatiwe kugira yemere kumanyagurika gutyo ubutagondwa bw'abantu, ubwishime no kudadarira mu kibi, bironke inyishu.

Patiri Damas Nzimenya yari ahejeje kwatirwa avuga ko mu bintu vyamuhimbaye,



Foto: Chanel HARINGANJI

ahimbawe n'uko ubu agiye kwegera abakristu ukurusha nk'uko biri mu butumwa bajejwe ari nabwo bumwe mu butumwa bwaranze umuvunyi wabo Visenti wa Pawulo Mweranda.

Agashimira cane uwo muryango w'abamisiyonari yadodoyemwo nawo ugaheza ukamwakira avuye inyuma y'itungwa, aho Yezu yarahejeje kumwitorera ngo aze kumukorera.

Patiri Samuel Ngendakumana arongoye paruwase Mugogo, akengurukira cane abakristu arongoye ku mwete n'ubwira berekanye mw'itunganywa ry'ibikorwa vyo kwitegurira uwo musi w'imboneka rimwe mu myaka 15 iyo paruwase imaze.



Foto: Chanel HARINGANJI

Ivyo bikaba vyatumye bashika kw'ihangiro bari barihaye. Atera akamo urwaruka ko rwoza rurumva ijwi ry'Imana ribahamagara kugira ruje kuyihebera.

Mwomenya ko uwo muryango w'abamisiyonali ufise ibigo 500 bikwiragiye mu bihugu biri ku migabane 5 igize isi.

Ufise abasaserdoti bose hamwe bangana 3829, abakardinali 3 hamwe n'abasenyeri 30 mu gihe hano mu Burundi umaze gushika muri paruwase 2 Mugogo na Rwisabi, hamwe n'abasaserdoti 3 b'abarundi.



Foto: Chanel HARINGANJI

*Chanel HARINGANJI*

# Ruyigi : Ihimbazwa ry'isabukuru y'ubutungane n'amahoro igira iya mirongo ibiri n'imwe.

Ku musi w'Umukama ugira uwa 25 wo mu mwaka, igenekerezo rya 21 Nyakanga 2025, muri Paruwase ya Cankuzo yitiriwe Umweranda Tereza w'Umwana Yezu, harahimbajwe Isabukuru y'Ubutungane n'Amahoro igira iya 21 ku civugo kigira giti: ***«Twemere, tuvugane ukuri ku mabi yakozwe, dusabane Ikigongwe, dusubize ha-mwe».*** Imigirwa y'uwo musi yayobowe na Nyenicubahiro Musenyeri Buraziyo Nzeyimana, Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi.

***Umusaraba, ikimenyetso c'ugusubiza hamwe***

Imigirwa y'uwo musi yatanguriye ku kibuga c'umupira w'amaguru Stade Buhumuza, itangurwa n'umugirwa wo guhezagira Umusaraba, Ikimenyetso c'Ubutungane bw'Imana, Ugusubiza hamwe n'Amahoro iyo Imana ishakira umuryango w'abantu bose iyo bava bakagera.

Hakwirikiye urugendo rw'amahoro rwari rwitabwe n'abakristu benshi ba-genda bararirimba indirimbo zihayagiza ubutungane, urukundo, ubumwe n'amahoro. Umusaraba bari bareruye waciye ushingwa imbere y'isengero ya Paruwase Cankuzo.

Mu ntango y'Imperezwa y'Ukaristiya, harashinzwe intahe zitatu zemeje abari aho bose ko ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe bishoboka.

•Intahe ya mbere yashinzwe n'Umushingantahe Tharcisse Ntawe, Umututsi wo muri Paruwase ya Muyaga yitiriwe Umushaha Mweranda wa Yezu, ku mutumba wa Kigusu. Uwo mushingantahe yaremanze ku mugaragaro ko yarangiye abasirikare b'igihugu imihana y'abahutu bo kuri uyo mutumba wa Kigusu.

Abo bahutu baricwa bacumiswe imbugita abasirikare bagendana (baillonnettes ) bazira we. Yaciye asaba ikigongwe abasigwa b'imiryango icumi n'itatu yabuze ababo kubera we. Jacqueline Ntibashirinzigo hamwe na Théophile Maso baserukiye iyo miryango baciye bamurekurira.

•Intahe igira kabiri yashinzwe n'Umupfasoni Espérance Karabona, Umuhutukazi wo muri Paruwase ya Rusengo yitiriwe Yozefu Mweranda, ku mutumba wa Nganji, yasavye ikigongwe Anaclet Hakizimana (Umututsi) n'abavukanyi biwe yiciye umuvyeyi akoresheje ubuhiri mu ntambara yo mwaka w'1993.

Uwo mupfasoni yararekuriwe icese. Abasavye Ikigongwe n'abagitanze basozera barwana mu nda, Ikimenyetso c'uko basubije hamwe, bemeye gusubira gusangira akabisi n'agahiye.

•Intahe ya gatatu ari yo ya nyuma mu ntahe zashinzwe uyo musi yabaye iy'umushingantahe Serges Manirakiza, Umututsi wo muri Paruwase Kayongozi yitiriwe Umweranda Fransisko w'i Assise, ku mutumba Gashurushuru, yashinze intahe akengurukira umupfasoni Godeliève yamunyegeje imisi itatu yose, akamugaburira ijoro n'umutaga, mu kuza aramusanza utwo afungura iyo yari yamunyegeje mu mu mwonga, ahantu hari imikere n'imibambangwe, akamurokerera ubuzima mu ntambara yo mu mwaka w'1993.

***Ukuri ni kwo kwonyene kuzotugira abidegemvya (raba Yohani 8, 32)***

Mu nyigisho Nyenicubahiro Musenyeri Buraziyo Nzeyimana, Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi yashikirije, yashimikiye cane ku muco mwiza wo kwubakira ubuzima bwacu ku kuri: ukuri ni kwo kwonyene gutsimbataza urukundo, ubumwe n'iterambere. Abakundanye, abubakanye, abajejwe intwaro, abanyaporitike hamwe n'ivyabona bija gusūra mu matati atandukanye, bose bategerezwa kurangwa n'uwo muco mwiza wo kuvuga no kwubakira ubuzima ku kuri.

Bitabaye ukwo urukundo ntirumara kabiri. Bitabaye ukwo n'abanyapolitike bemerera ibi na biriya abo bajejwe hanyuma ntibabishitse, haragera igihe ababatoye ntibabe bakibizigira.

Musenyeri Buraziyo yasozereye inyigisho yiwe agira ati: «Uwushaka amahoro mu mutima wiwe n'aho abaye ategerezwa kubanza kwemera kugaruka ku Mana»

Imigirwa y'uwo musi yasozerewe n'ukwivuna umusase, aho abari bahari bose basangira nk'amasaka y'amashirahamwe. Amajambo yashikirijwe muri ico kiringo, ryaba iryashikirijwe na Patiri mukuru wa Paruwase Cankuzo, iry'uwujejwe Ibiro vy'Inama y'Abepiskopi mu gisata c'Ubutungane n'Amahoro (CEJP), iry'uwaserukiye -Agiamondo-Ishirahamwe rishigikira Umugambi w'-amahoro kw'isi, iry'uwaserukiye Umugwi w'Igihugu ushinzwe ukumenya ukuri n'ukunywanisha (CVR), irya Buramatari w'intara ya Buhumuza hamwe nyene n'iry'Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi, Musenyeri Buraziyo Nzeyimana; ayo majambo yose yashingiye ku kuri, kwo nkingi y'ukurekuriranira, ugusubiza hamwe n'amahoro.

Mwomenya ko abashinga Intahe zerekeye ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, baba ari abantu bamaze igihe gikwiye bitegura bafashijwe n'abari mu gisata c'Ubutungane n'Amahoro muri Diyoseze ya Ruyigi. Baza gushinga izo ntahe ku musi mukuru w'Isabukuru y'Ubutungane n'Amahoro baza barahejeje kera gusubiza hamwe hariya ku mitumba bakomokako. Bashingira intahe rero ku vyo bamaze kurangura.

Igipimo c'urukundo rw'ukuri dufitiye abavukanyi bacu ni ubushobozi bwo gushobora kubarekurira igihe batugiriye inabi.

***Patiri Léonidas NTAKARUTIMANA ashinzwe Igisata c'Ukumenyesha amakuru muri Diyoseze ya Ruyigi***

# Indwara y'umutima irashobora kuvurirwa mu Burundi



Mu ntumbero yo guhimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe kuvura indwara z'umutima, ubushikiranganjibw'amagaray'abantu mu Burundi bwifadikanije n'ibitaro vy'abasirika mu Kamenge hamwe n'ishirahamwe ry'abaganga bavura indwara z'umutima, barateguye isekeza ryo gupima no kuvura abana barwaye umutima. Iryo sekeza ryabaye ku magenekerezo ya 22, 23 na 24 Nyakanga 2025.

Ni muri iyo ntumbero umuyobozi w'ibitaro vy'abasirikare mu Kamenge kumwe n'umukuru w'iryo shirahamwe batunganije ikiganiro ku bamenyeshamakuru kugira ngo berekane ingene igikorwa co kubaga abana bagwaye umutima kiriko kiragenda. Hari ku wa 24 Nyakanga 2025 mu bitaro vy'abasirikare mu Kamenge.

Nk'uko vyashikirijwe, ibitaro vy'abasirikare mu kamenge ngo biramaze kubaga abana bashika 36 barwaye umutima. Abana bakirwa bakaba ari abatarenza imyaka 15 y'amavuka. Iyo ntambwe ngo irashimishije cane mu gihe hari haciye imyaka itari mike igisata c'amagara y'abantu mu Burundi kidashobora gutorera umuti amaganya n'amarira y'abavyeyi bisanze mu kibazo co kurwaza abana babo indwara y'umutima.

***Ibimenyetso vy'indwara y'umutima ni ibihe ?***

Muganga Marc NIMBURANIRA arongoye ibitaro vy'abasirikare mu kamenge abivuga ko indwara y'umutima ku bana ibonekera mu bimenyetso nko guhema nabi, igikuriro kidakwiye, urukoba rusa n'ubururu ku munwa (Cyanose), intoke zikura umengo ni ibihini (intoke zivyibuha mugabo zitaba ndende), umwana yama afise intege nke, ntashake gufungura, ntagire akayabagu, ntakine neza n'abandi, …

Hambavu y'ivyo bimenyetso nyawibonekeza, umwana iyo ashitse kwa muganga ngo niho abahinga bashobora kubona neza vy'ukuri ko ikibazo afise ari igiturutse ku ndwara y'umutima canke ko afise ubundi burwayi.

Nico gituma Muganga Marc ahanura abavyeyi kujana abana kwa muganga igihe cose bafise ibimenyetso bitameze neza.

Agira ati : « Indwara y'umutima co kimwe n'izindi ndwara zose, iyo ivuwe hakiri kare iravurwa igakira. Ariko har'aho uwurwaye aba yamaze kuremba kuburyo ibikenewe ngo tumufashe tutaba tukibishoboye, bigasaba ko arungikwa hanze y'igihugu. Ivyo navyo bisaba uburyo bw'umurengera, ari naco gituma benshi bitaba Imana kuko bataronse ubufasha. »

***Uburyo bwo kwivuza indwara y'umutima ni bwinshi cane***

Abo bahinga bavuga ko ngaha mu Burundi, ku miriyoni 10 y'amafranga y'amarundi umwana arwaye umutima arashobora kuvugwa agakira. Ni mugihe abahora baja kwivuza hanze y'igihugu bavugwa ku mafaranga atari musi y'imiliyoni 100 z'amafranga y'amarundi. Abo bahinga, bavuga ko iyo ari intambwe idasanzwe igisata c'amagara y'abantu mu Burundi giteye.

Bagira bati : « Kubona dushitse kuri iyi ntambwe yo kuvurira indwara y'umutima ngaha mu gihugu c'Uburundi, ni intambwe idasanzwe mu gisata c'ubuvuzi mu gihugu cacu.

Abavyeyi bazokwiruhutsa, namwaburya tubona ko abatari bake amakiro atari ikirenga ». Ariko n'ubwo biruko, abo bahinga mu kuvura indwara z'umutima baremeza ko hariho ivyo badafitoye ububasha kuburyo iyo bakiriye abarwaye babanza kuraba ko babishoboye. Abo badashoboye gufasha ngo baca babarungika hanze kurondera ababasumvya ubuhinga.

Abaganga b'abarundi barashoboye cane. Ariko intambamyi ihari ni ibikoresho bakenera kugira ngo batange ubufasha bwiza. Ivyo bikoresho iyaba vyoboneka, ngo ntacobuza igisata co kuvura indwara z'umutima gitera imbere, mbere n'abantu bakuze bagashikirwa n'u-bwo bufasha.

Tubamenyeshe ko ivyo bikorwa biriko barangurwa n'abarundi ubwabo bagiriwe amahigwe yo kunonosora ivyo vyigwa mu bihugu vya buraya, mbere bakaronka n'akaryo gakwiye ko bishira mu ngiro mu myaka myinshi bamaze bakorera muri ivyo bihugu. Ubu bafise intumbero yo gufasha abarundi bene wabo.

Batera akamo Reta ngo ishigikire ku buryo buboneka utwo twigoro twabo. Vyongeye, ubushikiranganji bw'amagara y'abantu busabwa gushira uburyo bukwiye muri ico gisata, kugira ngo, hambavu y'ivyo bikorwa vyo kuvura abana badwaye indwara y'umutima, abo bahinga batangure no kuvura abantu bakuze barwaye umutima.

***Mélance NDAYIKEZE***

# Akanovera k'indero mu mashure yisumbuye kifashe gute?

*Akanovera k'indero mu mashure yisumbuye kifashe gute?*

Inyishu ifatiye ku bushatsishatsi bwabereye mw'ishure ryitiriwe Umweranda Ogustino, riri mu Rumonge, muri karitiye ya Birimba

Umuntu yihweje umwimbu w'abanyeshure mu Gihugu c'Uburundi, aho abatari bake badashikana amanota angana ibice 50% kw'ijana mu kibazo ca Reta ntiyoreka kwibaza iki kibazo gikurikira:

Ni kuki abanyeshure batari bake bayoberwa ikibazo ca Reta? Ico kibazo, Kaminuza "Laudato Si" ari yo yitiriwe Ikigazi (ULP) yo mu Rumonge, yaricaye irakironderera inyishu.

Yabicishihije mu bushakashatsi bwagizwe n'abigisha babiri, Patiri Dr Savino Niyonsaba na Mama Dr. Concilia Nduwimana.

Ubwo bushakashatsi bwabereye mw'ishure ryitiriwe Umweranda Ogustino, riri mu Rumonge, muri karitiye ya Birimba.

Inyuma y'amezi ane (kuva mu kwezi kwa Ruhuhuma gushika mu kwa Rusama 2025), ico gikorwa camaze, cashitse kuri ibi bikurikira:

Ubwa mbere haribonekeje ko abanyeshure, abigisha, abavyeyi n'abarezi bamaze kudebukirwa.

Abanyeshure bica bibatuma badafata umwanya ngo bige. Mu bituma abanyeshure badebukirwa harimwo kubona ko n'abari imbere yabo bahejeje amashure batagira akazi maze bakabona ko naho boheza amashure ata co bazokwunguka, bagaca biga bigurintege.

Ariko kandi ngo hari n'abarezi babaha akarorero kabi bakababwira amajambo adahumuriza nk'aya:
* "Niwaba wiga utagira uwo uzosubirira mu kazi gomba ubireke";
*"Genda kurongorwa, amashure y'umukobwa ni umugabo";
*"Amashure y'ubu ni foroma ntahe".

Imvugo zica inkokora ntiziri mu bigisha gusa. Ziri mu bavyeyi, zikaba mu rwaruka, eka mbere no mu barezi bamwe bamwe.

Inkurikizi y'ayo majambo ngo ni uko abanyeshure bamwe bamwe baca baza mw'ishure baje gushusha intebe gusa, gutyo kuja kw'ishure bigahinduka guta umwanya canke guheza umwanya.

Ubwa kabiri ngo abigisha nabo nyene hari aho bibagora, kuko bafise abanyeshure benshi mw'ishure, rimwe bikabagora kubakurikirana. Mbere ngo impinduka y'ivyigwa mu mashure yatumye ivyo bategerezwa kwigisha ku mwaka biba vyinshi, gutyo ntibabironkere umwanya wo kubiheza no kubinonosora neza.

Ivyo babivuga mu gihe umwaka wa gatandatu n'uw'icumi yakuweho, bagasaba bashimitse ko iyo myaka yosubizwaho.

Babisaba kandi kuko babona amasaha yategekanijwe mu kwiga indimi, cane cane igifaransa, yagabanutse cane ku buryo umunyeshure aheza amashure yisumbuye adashobora kuvuga no kwandika mu gifaransa, kandi ari rwo rurimi n'ibindi vyigishwamwo, eka mbere n'akazi ahenshi nico gikoreshwa. Ngo ivyo bituma aba-nyeshure badakurikira neza, bikanabagora kwishura ibibazo kuko batabitegereye.

Ubwa gatatu haribonekeje ko abavyeyi nabo nyene rimwe na rimwe badebukirwa, ntibakurikirane abana babo, cane cane mu bikorwa batagerezwa gukorera muhira, mugabo kandi ngo benshi ntibaca ku mashure kugira ngo bavugane n'abigisha, ngo bongere bamenye ingene umwana atera imbere canke asubira inyuma.

Kandi ngo bamwe bagatata n'abigisha nk'iyo bahanye umwana ari mu makosa, aho bohashitse ngo bayage bongere bafashanye gukosora umunyeshure atitwara neza. Ngo amatati nk'ayo, mbere n'amatati abera mu miryango, biratuma umunyeshure aguma avyiyumvira bikamubuza gukurikira neza.

Abavyeyi nyene ngo kenshi barashigikira abana babo baheba amashure bakaja kudandaza mbere ngo bakabaha umutahe. Bamwe mu bavyeyi kandi ngo barafasha abana babo guheba amashure mu kubarihira amahera yo kuja hanze aho kubahimiriza ngo babanze bige baheze amashure.

Ivyo ngo biri mu bisamaza n'abasigaye kuko aho kwiga ngo baguma baraba ivyo abandi bariko barashikako: amazu bubaka, imfashanyo abari hanze barungikira ababo, n'ibindi.

Ubwa kane ngo mu bituma abanyeshure bayoberwa harimwo gukoresha nabi ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru cane cane ubuhinga ngurukana-bumenyi.

Benshi bagira bati nivyo ku mashure birabujijwe gukoresha amaterefone, mugabo muhira abanyeshure barazikoresha zikabasamaza, zikabatesha umwanya bandikiranira udukuru n'abagenzi, gusa ata kintu c'akamaro bariko barakora.

Ivyo vyose ngo biba mu gihe ishure n'imirya-ngo nyene ataco bariko barakora ngo ubwo buhinga bukoreshwe ku nyungu y'umunyeshure n'ishure nyene.

Muti none hokorwa iki?

***Biracaza***

***Mama Concilie Nduwimana***
***Patiri Savin Niyonsaba***

# Ingene amategeko atagekanya uburenganzira bw'umwana bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka akivuka

Umwana ni ikiremwa-muntu akeneye gukingirwa bidasanzwe. Mu bikorwa muri iryo kingirwa harimwo guhabwa izina kandi akandikwa mu gitabu c'amavuka mu kiringo gitegekanijwe n'amategeko.

Ukuronswa izina no kwandikwa mu gitabu c'amavuka bituma umwidondoro w'umuntu umenyekana kandi akagira n'igihugu yitirirwa.

Ubu burenganzira ni ubw'abana bose hatarabwe ko bavutse ku bavyeyi babana biciye mu mategeko canke bidaciye mu mategeko.

Ingene uburenganzira bw'umwana bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka akivuka butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bw'umwana bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka akivuka.**

Uburenganzira bw'umwana bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka akivuka butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye : amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu hamwe n'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana.

*a) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu*

Umwana wese arafise uburenganzira bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka.

Tubisanga mu ngingo ya 24, mu gace kayo ka 2, ivuga ko umwana wese ategerezwa kwandikishwa akivuka kandi akaronswa izina.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana*

Ukuronswa izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu ni uburenganzira butuma umwana aronka ubwenegihugu kandi akamenya aba-vyeyi biwe.

Bitegekanijwe mu ngingo y'7 mu gace kayo ka mbere kavuga ko umwana wese ategerezwa kwandikwa akivuka, abwirizwa guhabwa izina, akaronswa ubwenegihugu kandi mu gihe bishoboka akamenya abavyeyi biwe nabo bakamurera.

Agace ka 2 k'iyi ngingo kabandanya kavuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano yerekeye agateka k'abana bitegerezwa kuyashira mu ngiro n'ukuyakurikiza kugira ntihagire umwana yobura igihugu yitirirwa.

Iyo umwana yandikishijwe mu bitabu vy'amavuka bituma aronka ibimuranga kandi akamenya n'umuryango wiwe muri rusangi.

Tubisanga mu ngingo y'8 mu gace kayo ka mbere kavuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano vyiyemeje kwubahiriza amateka agenera umwana wese akaranga kiwe.

Muri ayo mateka harimwo ukugira igihugu yitirirwa, guhabwa izina, ubucuti afitaniye n'umuryango wiwe, nk'uko bitegekanijwe n'amabwirizwa.

Agace ka kabiri k'iyi ngingo kavuga ko mu gihe umwana yarenganijwe akabura ibimuranga vyose canke bimwe muri vyo, ibihugu vyemeje aya masezerano bitegerezwa kumukingira bimwe biboneka kandi bikamufasha gusubizwa mu gateka kiwe bidatevye.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka. N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'igihugu c'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira.**

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro, mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi hamwe n'ibiri mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.

*a) Mw'Ibwirizwa Shingiro*

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka n'ukubaho neza.

Ni ukuvuga ko ivyavuzwe muri ayo mategeko bijanye n'ubwo burenganzira vyinjijwe mu mategeko n'amabwirizwa y'Uburundi.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 30 mu gace kayo ka 3 kavuga kati: "Urugo n'imiryango, mbere n'igihugu cose bitegerezwa gukingira bimwe bidasanzwe abana bivanye n'uko batarashika mu bigero", kugira ngo abo bana bakingirwe bidasanzwe, birasabwa ko imyaka yabo iba izwi neza.

Ibikur. urup. 11

# Ingene amategeko atagekanya uburenganzira bw'umwana bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka akivuka

(Bitangurira ku rup.10)

Iyo nayo imenyekana harabwe urupapuro rwemeza amavuka yiwe urwo narwo rukaba rutangirwa mu biro bijejwe inzandiko ndangamuntu vy'aho umwana bamwandikishirije.

*b) Mu gitabu c'amategeko agenga ingo n'abantu mu Burundi*

Umwana wese arafise uburenganzira bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka. Umuntu rero arashobora kwibaza ati :

**Kubera iki umuntu bamwita izina?**

***Ni nde arekuriwe kumwita izina?***

**Ategerezwa kuba yanditswe mu bitabu vy'amavuka mu kiringo kingana gute avutse?**

**Uwo ico kiringo carenganye we yobigenza gute?**

**Mbega izina rirashobora guhindurwa?**

Itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi riratanga inyishu kuri ibi bibazo vyose.

Ukwandikwa mu bitabu vy'amavuka bituma umwana aronka izina rimuranga uwo ariwe. Bitegekanijwe n'ingingo ya 11 ivuga ko umuntu wese ategerezwa kugira izina rimuranga.

Rishobora guherekezwa n'iritazirano rimwe canke menshi.

Nk'uko ingingo ya 38 ibitegekanya, uwujejwe kwandikisha umwana ni: se w'umwana, se atabishoboye, nyina w'umwana ; se na nyina w'umwana batabishoboye, uwo wese yabonye aho uwo mwana avuka.

Ukwandikwa mu bitabu vy'amavuka bituma umwana aronswa urupapuro ruranga izina ryiwe, aho yavukiye, igenekerezo, ukwezi n'umwaka, igitsina ciwe n'amazina y'abavyeyi.

Umuvyeyi ni we atorera umwana izina kandi amwita iryo ashaka nk'uko tubisanga mu ngingo ya 13.

Ariko n'aho biri uko, iyo umuvyeyi yise umwana izina rimutesha agaciro, uwujejwe inzandiko ndangamuntu arashobora guhanura uwise umwana izina canke iritazirano ribi kugira ngo amutorere irindi. Bitegekanijwe mu ngingo ya 14.

Umwana ategerezwa kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu mu kiringo c'iminsi cumi n'itanu.

Bitegekanijwe mu ngingo ya 37 ivuga ko ivuka ry'umwana ritegerezwa kumenyeshwa umukuru w'ibiro ndangamuntu w'aho nyina w'umwana aba mu misi cumi n'itanu ikurikira ivuka ry'uwo mwana.

Nk'uko twamaze kwerekana akamaro ko kwandikisha umwana mu bitabu vy'amavuko, umuvyeyi asanze ikiringo gitegekanijwe n'amategeko co kwandikisha umwana caramurenganye, ararekuriwe kwitura Buramatiri w'intara amusaba ko umwana wiwe yoshobora kumwandikisha.

Bitegekanijwe ngingo ya 45 ivuga ko Buramatari w'intara canke intumwa yiwe yishimikije imvo zumvikana yashikirijwe, arashobora gutegeka ko handikwa mu bitabu vy'inzandiko ndangamuntu ivuka ry'umwana canke gufutisha umuntu yapfuye naho ikiringo c'iminsi cumi n'itanu gitegekanijwe n'amategeko kiba cararenganye.

Uwipfuza guhinduza izina bamwandikishijeko mu bitabu vy'amavuka abisaba umushikirangaji w'ubutungane kuko niwe afise ububasha bwo guhindura izina ry'umuntu mu gihe abisabwe na nyene ryo canke uwashinzwe ku murera.

Ingingo ihindura iryo zina ica yandikwa mu gitabu c'amavuka iruhande yaho uwo muntu yanditswe.

*c) Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha*

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka akivuka, igitabu c'amategeko mpanavyaha kirategekanya ibihano kuri uwo wese a-tandikishije umwana mu kiringo categekanijwe n'amategeko. bitegekanijwe mu ngingo ya 374 ivuga ko uwo wese yategerezwa kwandikisha umwana mu bitabu ndangamuntu canke gufutisha uwapfuye ntabikore mu kiringo c'iminsi cumi n'itanu gitegekanijwe n'amategeko ahanishwa igihano c'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi cumi gushika ku bihumbi mirongo itatu vy'amafaranga y'amarundi.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umwana wese afise uburenganzira bwo kuronswa izina no kwandikwa mu bitabu vy'amavuka mu kiringo gitegekanijwe n'amategeko kugira aronke umwidondoro wiwe n'ubwenegihugu kandi amenye n'umuryango wiwe.

Ikindi ni uko ubwo burenganzira ari ubw'abana bose baba abavutse ku bavyeyi babana biciye mu mategeko canke bidaciye mu mategeko kandi umuvyeyi asanze ikiringo gitegekanijwe n'amategeko co kwandikisha umwana caramurenganye, ararekuriwe kwandikira Buramatiri w'intara amusaba uruhusha rwo kwandikisha umwana wiwe.

***Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Aboro barakeneye ibimenyetso vy'umwizero muri uyu mwaka wa Yubile 2025.

Ku wa 9 Rusama 2024, Papa Fransisiko twibukana iteka yarashikirije abakristu inyigisho ntangantumbero ya Yubire isanzwe y'imyaka 2025 y'Ekleziya : «Umwizero Ntutetereza».

Muri iyo nyigisho, arahamagarira abakristu kwegera ukuruta imirwi itandukanye ikeneye ibimenyetso vy'umwizero, aboro bakaba nabo nyene atabasize inyuma.

***Ni kubera iki Papa Fransisiko yiyumviriye uwo murwi?***

Muri iyo nyigisho, kuri uno wa 15 Nyakanga 2025, Papa arabasabira ibimenyetso vy'umwizero kuko abona ko uwo murwi usa n'uwibagiwe. Avuga ati: « Ku buryo budasanzwe kandi bwihuta, ndasabiye umwizero isinzi ry'aboro, kenshi batagira c'epfo ca ruguru, icorirenza mu kubaho kwabo.»

Papa akabona ko kubera aboro baguma bagwira ku mpande zose, bituma birengangizwa bigafatwa nkibisanzwe.

Yaratumiriye n'ibihugu vya rutura kugira ico bishitseko ku bijanye n'ingene uwo murwi wokwitabwaho ati:« Birateye agahinda kubona tuba kw'isi ifise ubutunzi bwinshi cane, mugabo bwahebewe kugura ibirwanisho mu gihe tubona ko aboro aribo bagize isinzi ry'abantu.» Aheza ico kigabane avunira akagohe twese ati :«Ntitukibagire iminsi yose ko kuba umworo bidasigura kuba yabigizemwo uruhara.»

***Ekleziya ifise uruhara uruhe mu kwegera aboro bayo?***

Ekleziya ni umuvyeyi yitwararika abana bayo. Kuva mu ntango z'Ekleziya, imurikiwe n'ijambo ry'Imana kuva mu bwuzure bwa kera no mu nyigisho z'abatumwa, ukwitwararika aboro bifise ikibanza kinini mu muryango wacu w'abakristu.

Mu bwuzure bwa kera Imana iciye kuri Musa n'abahanuzi yamye itumirira Bene Israeli kwitwararika aboro. Ikabereka ko (Imana) yigereranya n'umworo, n'umurushwa, kandi ko ukwitaho umworo bizanira ababikora imigisha. Ivyo tukabisanga mu gitabo c'Amategeko 15, 7-14.

Mu Bwuzure Bushasha naho, Yezu yaje yishushanya n'aboro, nkuko we nyene abivuga mu Nkuru nziza ya Matayo 25, 31-46. Akatwereka ko urubanza rw'imperuka ruzofatira kukungene twitwararitse kugirira neza abaro ku mpande zose z'ubuzima bwabo.

Umutumwa Yakobo nawe akatwereka ko ubuyobokeramana bushitse bushinze imizi mu gufasha aboro ati:« Ubuyobokeramana bw'ukuri butagira akanenge imbere y'Imana ari yo Data, si ubundi atari ukugendera impfuvyi n'abapfakazi mu marushwa yabo n'ukwirinda agatosi kose muri iyi si.» Yakobo 1,27.

Yezu akerekana ko ukutitaho aboro bituma umuntu atorana ubuzima bw'umuriro udahera, nkuko yabituyagiye mu Nkuru nziza yanditswe



na Luka 16, 19-31 muri wa mugani w'umutunzi mubi n'umworo Lazare. Ekleziya rero ikitwararika aboro ayo mu mpande zitatu:

***1. Ukubafasha mu vyo bakeneye ku mubiri.***

Mu maparuwase yose bariho igisata co gufasha aboro, eka n'abakristu balayike bahurikiye mu mihari, imiryango y'abihebeyimana urasangamwo abihebeye ubwo butumwa bwo gufasha aboro.

***2. Ukwigisha Inkuru nziza aboro***

Ukwigisha Inkuru nziza aboro nk'uko Yezu Kristu yabigaragaje mu ntango y'ubutumwa bwiwe ko yaje kumenyesha inkuru nziza aboro dusanga kwa Luka 4,16-19.

***3. Uguteza imbere aboro kugira babe abantu babushitse.***

Ekleziya ikabi-kora ibicishije mu bisata bijejwe aboro n'iterambere biri mu ma Diyoseze yose, mbere no ku rwego rw'igihugu mu gisata ca« Caritas Burundi»

***Ikibanza c'umworo mu buzima bwa Papa Fransisiko.***

Vyaragaragaye ko Papa Fransisiko yahaye ikibanza kibere mu mutima wiwe no mu butumwa bwiwe yaranguye nk'umusubirizi wa Petero mweranda.

Yarabigaragaje mu gushira muri Ekleziya umunsi mpuzamakungu wahariwe aboro yashinze ku wa 19 Munyonyo 2017.

Nk'abakristu rero muri kino gihe ca Yubile, duhamagariwe gushikira aboro bacu, tukabaganiriza, kugira tumenye aho umwizero wabo ugarukira.

Ntutinye akanuko kiwe, ahubwo umwegere umwoze, umusige utuvuta tumoga neza, uheze umenye ico yipfuza kuruta ikindi kuko kenshi ivyo twibaza ko bakeneye atari vyo usanga biri i-mbere. Maze tubabwire ko Imana ibakunda kandi yishushanije nabo.

Nabo iyi Yubire izosige bari mu gahimbare bigane umuririmvyi w'izaburi ya 71 igira iti: «Nkako, ni wewe mizero yanje Mukama Mana.»

***MSV M Goreth Ndikumana***